Itangazo ryo ku wa 16 Gitugutu 2015, Umurwi w'Igihugu Wigenga Ujejwe Agateka ka Zina Muntu (CNIDH) ushikirije ku bijanye n'ubwicanyi bwasubiye kwimonogoza n'izindi ngaruka mbi z'umutekano muke ku gateka ka zina muntu

Umurwi w'Igihugu Wigenga Ujejwe Agateka ka Zina Muntu (CNIDH) urafise umwitwarariko ukomeye uturutse ku bwicanyi bwasubiye kwimonogoza mu makartiye amwamwe y'igisagara ca Bujumbura na cane cane muri izi ndwi zibiri zirangiye.

Nkako, uguhangana hakoreshejwe ibirwanisho kwabaye muri iyi misi iheze, vyahitanye ubuzima bw'abantu benshi, haraba n'ayandi mabi menshi ahungabanya cane agateka ka zina muntu. Aha twovuga nk'uburenganzira bw'ugutekanirwa, bw'ukwishira n'ukwizana hamwe n'uburenganzira bw'umuntu wese bw'ugukingirwa mu mabanga y'ubuzima bwiwe.

Umurwi CNIDH urababajwe cane n'ubwicanyi bwabereye mu Cibitoke no ku Mutakura ku wa 3 Gitugutu 2015 hamwe no mu Ngagara ku wa 13 Gitugutu 2015. Ubwo bwicanyi bwahitanye abantu bashika kw'icenda (9) mu Cibitoke na Mutakura, n'abandi bagera kuri cumi (10) mu Ngagara, harimwo umumenyeshamakuru wa RTNB Christophe Nkezabahizi, yagandaguranywe n'umuryango wiwe wose ; bikaboneka ko ubwo bwicanyi bwabaye mu gihe abajejwe umutekano bariko bahangana n'abantu bitwaje ibirwanisho muri ayo ma kartiye.

Umurwi CNIDH ukaba uhojeje imiryango yose yabuze, abamenyeshamakuru hamwe n'inzego z'umutekano.

Umurwi CNIDH uratewe umwitwarariko n'ukubona ko abantu batunze ibirwanisho batabifitiye uruhusha barahamagariwe kenshi kubisubiza ku bushake bwabo ariko bakaba babandanije kugarariza.

Umurwi CNIDH kandi urabona ko akamo abantu benshi bakomeje gutera imirwi ishamiranye bayihamagarira kwicara hamwe bakaganira katumvirijwe neza, n'aho biboneka ko hariho ibimenyetso vyerekana ugushaka kuganira na cane cane ku ruhande rwa Leta.

Vyongeye, Umurwi CNIDH urabona ko abatari bake bakomeje kudadaza n'ukudedeza abandi, haba mu myihwezo bagira, mu matangazo basohora canke mu ngingo bafata ; bikaboneka ko umengo harimwo uguhengamira ku ruhande rumwe kugira barwanye urundi, canke ukamengo n'ibihano bifatiye ku mvo za politike, ivyo navyo bikaba ata kindi bizana atari ukudindiza ibintu vyotuma haba icuka ciza muri politike hamwe n'umutekano w'igihugu, gutyo abantu bakicara hamwe bakaganira bahumuye kandi bavuga imvugo yubaka.

Jonction Boulevard du 28 novembre avec avenue Muyinga, tél : (+257)22277120-21.
email : cnidh@cnidh.bi, site web : www.cnidh.bi

Umurwi CNIDH urashima ingingo ya Leta y'ugushinga Umurwi w'Igihugu Ujejwe Gutunganya Ibiganiro, ico kikaba ari ikimenyetso c'uko Leta ifise ubushake bw'ukwugurura imiryango kugira iganire n'abo vyega bose kugira haboneke inyishu zibereye ku bibazo biriko biracanishamwo abanyepolitike b'Abarundi biciye mu kuja inama n'ingingo.

Umurwi CNIDH ukaba uhimirije Leta kugira igireko ishira mu ngiro ivyo yiyemeje mu gutanguza idatevye ibikorwa vy'uyo murwi, ariko ikitwararika ko uyo murwi woba userukira impande zose kugira ibiganiro bizobe birimwo ivyiyumviro vy'impande zose kandi bigire akamaro.

Umurwi CNIDH urasavye ushimitse abashamiranye bose ko bahagarika ubwicanyi kandi bemere bicare hamwe kugira baganire uburyo bw'ugutatura amatati yabo badatevye kandi ataco barinze gusaba.

Umurwi CNIDH urasavye abajejwe umutekano kurushirizaho gukorana ubwitonzi n'ubuhinga bukwiye, bakirinda guhengamira ku mirwi ya politike, kandi bakitwararika agateka ka zina muntu mu bikorwa bajejwe vy'ugucungera umutekano wa bose, harimwo rero no mu gihe baba bari mu bikorwa vy'ugusaka n'ugukura ibirwanisho mu bantu.

Umurwi CNIDH urasavye abantu bose batunze ibirwanisho batabifitiye uruhusha kandi bakomeza kubikoresha mu kwica, gutera ubwoba no kuburabuza abandi, hamwe rero n'uguhungabanya umutekano w'abanyagihugu, ko bobisubiza vuba abarongozi babifitiye ububasha.

Umurwi CNIDH urahimirije abarongoye abandi mu butungane hamwe no mu gipolisi gukoresha uburyo bwose bukenewe kugira bakore amatohoza yihuta kandi abushitse kugira ukuri kumenyekane ku bantu bose bahungabanya agateka ka zina muntu n'umutekano wa bose maze uruhara rw'umwumwe rumenyekane, gutyo bafate ingingo zitegekanijwe n'amategeko.

Mu kurangiza, Umurwi CNIDH urasavye abarongoye abandi mu mpande zose z'ubuzima bw'igihugu, na cane cane abarongoye imigambwe, amadini n'amashengero, hamwe n'abahoze ari abakuru b'iki gihugu, kugira baseruke bafashe abanyepolitike b'Abarundi bose bashamiranye kwumvikana biciye mu biganiro.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 16 Gitugutu 2015

Jean Baptiste Baribonekeza

Umukuru w'umurwi

Commission Nationale Indépendante des Droits de l'Homme B.P. 1370

Jonction Boulevard du 28 novembre avec avenue Muyinga, tél : (+257)22277120-21.
email : cnidh@cnidh.bi, site web : www.cnidh.bi